**REPUBLIQUE DU BURUNDI** ***Bujumbura, le***

**PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE**

**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO NOMERO 1 RYA RETA Y'UBURUNDI RIJANYE NO KURWANYA IKIZA CA CORONAVIRUS

1. Ikiza Coronavirus catanguye mu gihugu c'Ubushinwa muri Kigarama 2019. Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagara y'abantu OMS ryatangaje ko iyo ndwara yabaye ikiza kw 'isi yose muri Ntwarante 2020. Mu Burundi naho, abantu ba mbere iyo ndwara yibonekejeko bamenyekanye itariki 31 Ntwarante 2020.

   Mu ntumbero yo gukinga n'ukurwanya ikiza ca Coronavirus, nkuko ibindi bihugu vyabigize, Reta y'Uburundi yarafashe ingingo zo gukinga no kurwanya ico kiza.

   Aha twokwibutsa nk'izi ngingo zimwe zimwe zikurikira :

   - Ingingo z'ukwikingira n'ugukingira abandi zashikirijwe n'Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya ikiza ca sida
   - Ingingo zo kurwiza ibigo vyo gupima no kuvura ku buntu ico kiza mu gihugu cose
   - Ingingo zo gushira ukwabo no gusuzuma abantu baje bava hanze y'igihugu
   - Ingingo zo guhagarika impusha zo kwinjira mu gihugu
   - Ingingo zo guhagarika ingendo z'akazi mu mahanga
   - Ingingo zo kwugara imbibe zimwe zimwe zica mu mazi no kw'isi
   - Ingingo zo guhagarika indege zitwara abantu ziciye ku kibuga mpuzamakungu Melchior Ndadaye c'i Bujumbura

2. Mu gushimangira izo ngingo zo kurwanya ico kiza, Nyenicubahiro, Umukuru w'igihugu General Majoro Varisito NDAYISHIMIYE ubwiwe, yaratanguje isekeza ryitiriwe « Ndakira, Sinandura kandi Sinandukiza Coronavirus » mw'ijambo yashikirije abarundi, mu gihe hahimbazwa isabukuru rigira 58 ry'ukwikukira kw'Uburundi. Imwe mu ngingo akaba ari isekeza ryo gupima Abantu bose bafise ibimenyetso vy'ico kiza.
   Iryo sekeza ryakiranywe urweze rwinshi n'abenegihugu kuko ryabegereje ibigo vyo kwipimisha igihe cose babishatse, bituma bibakuramwo ubwoba bw'ico kiza.

3. Nkuko musanzwe mubizi, hisunzwe ivyavuye muri iryo sekeza ry'amezi atatu, ico kiza caratujijwe hagati mu gihugu. Ivyo vyashobotse kubw'ishaka rya politike ry'inzego z'igihugu, umutima wo kwitanga waranze Abantu bose bari bafise uruhara mu mugambi wo kurwanya ico kiza.
   Nico gituma ata kuryama umukondorazosi, kuko urugamba rwo kurwanya ico kiza rurabandanya. « Uwutambana na mukeba ntakubita urugohe », iyo ndwara irashobora kugaruka mu gihe tutofata ingingo zibereye zo kuyirwanya.

4. Igihe harimburwa isekeza « Ndakira, Sinandura kandi Sinandukiza coronavirus », Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yari yiyemeje gufata ingingo zose zibereye kugirango ubutunzi bw'igihugu ntibutirigane ngo bugirire, zongere zikingire ibikorwa n'imigambi y'iterambere mu gihugu c'Uburundi.
   Vyongeye, hari Abarundi bari mu mahanga bipfuza gutaha ariko ntibababishobore, abandi nabo bipfuza kuja mu bindi bihugu ku mvo zitandukanye ; tutibagiye abanyamahanga bipfuza kuza mu Burundi canke gutaha iwabo. Abo bose, barindiranye igishaka cinshi ingingo yo guha uburenganzira indege bwo kwongera guca ku kibuga c'indega ca Bujumbura.

5. Mu ntumbero yo gushira mu ngiro icipfuzo ca Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Reta y'Uburundi yihutiye gufata ingingo zose zikenewe mu gushiraho inyubako n'ibikoresha bikenewe mu gukinga no kuvura abafashwe n'iyo ndwara, kugira ntibandukize abandi, itibagiye n'ugukingira Abarundi n'abanyamahanga bari mu gihugu n'ababa hanze baje mu Burundi.

Ishwigwaho ry'izo nyubakwa n'ibikoresho, mu ntumbero y'ukworohereza uruja n'uruza rw'abantu n'ibintu, ribandanya rikorwa. Nico gituma ingingo zose Reta ifata mu ntumbero yo kwugurura imbibe zo kw'isi, mu kirere no mu mazi, zizoshirwa mu ngiro intambwe ku ntamwe.

6. Twisunze aho ibintu bigeze ubu, Reta y'Uburundi ifashe ingingo zikurikira :
   - **Ku vyerekeye imbibe zo mu kirere** :

     Ikibuga c'indege Mpuzamakungu Melchior Ndadaye ca Bujumbura kizokwugururwa kuva kuw'Imana igenekerezo rya 8 Munyonyo 2020.

   Ariko rero, ingingo mperekeza z'iyo ngingo ifashwe zitegerezwa kwubahirizwa. Nazo ni izi zikurikira :

   - Ingenzi zinjira canke zisohoka mu Burundi zitegerezwa kwerekana ko ata mugera wa coronavirus zifise, mu bimpimo vyagizwe mu kiringo kitarenga amasaha 72 (imisi itatu) imbere y'ugufata urugendo ;
   - Ingenzi zishitse ku kibuga c'indege Melchior Ndadaye ca Bujumbura zitegerezwa gupimwa kandi zigashirwa mu ma hoteri aho zizokurikiranwa mu kiringo c'amasaha 72 ;
   - Ingenzi yose itegerezwa kwirihira uburyo bwo kwipimisha no kubaho mw'ihoteli muri ico kiringo ;
   - Bishitse hakagira uwurwaye yibonekeza mu modoka canke mu ndege, abo bari kumwe bose bategerezwa guca bapimwa ubugira kabiri bongere barindire inyishu, kugira ngo harekurwe abo basanze ata mugera bafise ;
   - Abo bazosanga bafise uwo mugera bazoca bajanwa ubwo nyene mu kibanza bavurirwamwo cabigenewe.
   - Umunyamahanga basanze arwaye azotegerezwa kwirihira uburyo bwo kwivuza.
   - Ingenzi zitegerezwa gufatisha ama hoteri hakiri kare zikoresheje ubuhinga ngurukanabumenyi bwashizweho n'ishirahmwe médiabox.

- **Ku bijanye n'imbibe zimwe zimwe zo kw'isi no mu mazi :**

  Hariko harashirwaho inyubako n'ibikoresho vyo kwa muganga bikenewe mu kurwanya ico kiza.

  Iyugururwa ry'izo mbibe rizoba bukebuke, hisunzwe ingene izo nyubakwa n'ivyo bikoresho bizoba biriko birahera gushirwaho kandi bishobora gukora. Ingingo zizofatwa zizoza ziramenyeshwa igihe kigeze.

7. Reta y'Uburundi ibandanya ikurikiranira hafi ivy'ico kiza mu Burundi no kw'isi yose. Ka bu Reta Mvyeyi, Reta Nkozi, Reta izoshishikara yitwararika ineza y'abanegihugu n'igihugu.
   Ni co gituma, ingingo zose zizofatwa zizobandanya zisuzumwa igihe ku gihe kugira hafatwe ingingo zibereye bivanye n'ingene ivy'ico kiza bimeze mu gihugu no kw'isi yose.

8. Reta y'Uburundi iribukije ko guhangana n'ico kiza bibandanya, igasaba abo bose vyega kubikurikiranira hafi kugira ngo hagwanywe ukudebukirwa mu kwirinda ico kiza, gusigaye kwibonekeza muri ino misi.

9. Mu gusozera, Reta y'Uburundi isavye abenegihugu kuguma batekanye, kubandanya imirimo y'abo ya misi yose, bongere bubahirize ingingo zafashwe zo kwikingira no gukingira abandi hamwe no kurwanya ikiza coronavirus.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 03 Munyonyo 2020

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

Prosper NTAHORWAMIYE